**THE LAST PENTECOST**

**Holy Confusion – Part I**
Acts 2:1-12
# Lesson 161

**PENTEKOTI YA NYUMA/ Ukuzazanirwa kweranda – igice ca I**

# Icirwa c'i 161

**Acts 2:1-12**
Ijambo ngenderwako : « *Ariko mwahawe Impwemu yo kubahindura abana b'Imana, niyo ituma dutakamba duti **Abba*** » **Abaroma 8 :14**

## I. Intangamarara.

Abantu bashika imiliyoni zitatu bavuye mu bihugu bitandukanye ; bari mu mayira y'i Yerusalemu bazanywe no guhimbaza umusi mukuru wa Pentekoti nk'ukuko babitegetswe mu gihe ca Mose. Abakora bahagaritse, inzu z'ubudandarizo zirugaye... Ku mugambi w'Imana, iyi yari pentekoti ya nyuma. Hagira hatangure urutonde rushasha rw'ishengero riyobowe na Mpwemu Yera. Bari muri iyo nzu, mpwemu Yera abazako
Ivyo abakuru b'isingogi bari baranse, birabaye. ishengero rya mbere riretanguye. Ivyo gutanga ibimazi, imyambaro idasanzwe ku baherezi… bisubiriwe n'ukwizera.

## Intumbero y'iyi pentekoti ya nyuma.

1. Imbere ya vyose, ni kwibuka ko iyi pentekoti ari inyishu y'isezerano Yesu yari yahaye intumwa. **Ivyak.1 :5** « *Kuko Yohana yabatirisha amazi, ariko mweho mu misi atari myinshi, muzobatizwa na Mpwemu Yera* » **umur. wa 8a** « *Ariko muzohabwa ubushobozi Mpwemu Yera niyabazako »*

## II. Ihinduka mu kwizera no gukorera Imana.

• Mw'isezerano rya Kera, Mpwemu Yera yaza rimwe na rimwe. Ni nk'ugusirwa amavuta kuwo ashatse gukoresha no kuntumbero kanaka. . Yaraje kuri Sawuli, Samusoni n'abandi. Igihe igikorwa caba giheze yaca yongera akabavako. Nico catumye igihe Dawidi acumuriye agasambana na Betisheba, akica umugabo wiwe Uriya, yasenze ati : « Ntunte *kure yo mu nyonga zawe, Ntunkureko Mpwemu wawe Yera.* » **zaburi 51 :11**

• Mw'isezerano rishasha, yari umubatizo.Yaza afise igikorwa nk'umwitsa / umufasha. **Yoha 14 :16 «** *Nanje nzosaba Data, na we azobaha uwundi mwitsa ngo azobane namwe **ibihe bidashira.*** » ubu gucumura, ntibituma agenda. Nk'uko ata musore yitwa umugabo adafise umufasha ; niko atawokwitwa umukristo adafise Mpwemu yera. Amavuta wasizwe, arakuvako. Ariko, umubatizo ntuta agaciro. Kubatizwa na Mpwemu Yera, ntibisaba ngo ube umaze igihe kirekire mu rusengero. Bisaba ko wizera ko yesu Kristo ari Umwami w 'Ubuzima bwawe. Ni kubuntu. Ntaco wokora ngo umuhabwe. Soma **Tito 3 : 5-6**

Kuba warakijijwe, ugasenga ngo uhabwe Mpwemu Yera, bisa no gusabira Uburundi ngo buronke ukwikukira ku Babirigi. Ivyo bimaze imyaka vyarabaye. Ubu ni kubinezerererwa no kubibamwo.

## III. Mpwemu Yera aba he ?

**1 Korinto 6:19** *« Ntimuzi yuko imibiri yanyu ari insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebwe, uwo mufise, avuye ku Mana ? »* Umubiri w'umuntu nirwo rusengero Mpwemu Yera abamwo. Niwo Keleziya y'Imana. Nico gituma utohava wiyumvira ko uzokorera Imana ikagushima, naho woba wokoreye ibiterasoni umubiri. (Kuwutobagura no kuwandikako mu ntumbero yo kwinezereza, kwambara imyambaro itagukwiye canke watabaguye ; kunywa ibiboreza kuko Mpwemu atobana navyo, gusambana n'ibindi) Hamwe n'ivyo, n'isuku ry'umubiri ni ngombwa ku muntu wese yakijijwe.
Uyu Mpwemu yera akora vyose uku, kugira ngo ahindure abantu kuba abana b'Imana.

## Ivyabaye ku mus iwa Pentekoti.

1. Humvikanye, uguhuhuta k'umuyaga.
2. Habonetse imbeya z'umuriro zigabanije ku mitwe yabo. Ku Bisirayeli, umuriro canke inkingi y'umuriro vyari ikimenyetso c'uko Imana iri aho bari.
3. Bavuze indimi z'ikinyamahanga batari bamenyereye. Ni isezerano ryari rtishitse. **Yesaya 28 :11** « *Noneho rero Uhoraho azovuganira n'ubu bwoko mu kanwa katumvikana no mu rundi rurimi* » Naho zitari iziwabo, zari indimi zisanzwe zivurwa n'abandi.

Ibi bimenyetso vyabaye uku kubera yari intango yo kuza kwa Mpwemu yera mu bantu b'Imana. Ntibigikenewe ko biba uku kugira wemere ko ufise Mpwemu Yera. Nico gituma ishengero ritemera aba bantu bahaguruka ari ishengero ryose ngo bariko bavuga mu ndimi. Biboneka nk'ubusazi. **1Korinto 14 :23** « *Nuko ishengero ryose rikoranye hamwe, bose bakavuga indimi zitamenyekana, hakinjiramwo abatazi vyinshi canke abatizera, ntibazovuga yuko **mwasaze*** ? »

## IV. Kuzazanirwa.

**2:12** « *Bose barumirwa, barazazanirwa. Barabazanya bati : « ibi ni ibiki ?* » bibayobeye baca batangura kubanegura. 13 « *Ariko abandi barabanegura bati : « Baborewe igisama* » aka gasuzuguro kabaye keza kuko katumye Petero atangura kwigisha ishengero.

## V. Gushira mu ngiro.

Hari ibibazo bibiri wokwishura :

1. Mbega wumva wararonse Mpwemu Yera ? ni kuvuga, waravutse ubwa kabiri ?
2. Mbega uganzwa na Mpwemu Yera mu buzima bwawe imisi yose ?

Urakwiye kumenya ko abatamufise batazobona Imana, kuko niwe ashoboza abizeye kunesha icaha. Kandi niwe mababa azobaterura mu kirere izamba ivuze. Urakwiye gusenga uti : «Ndizeye Mpwemu Yera ngo ampindure Umwana w'Imana, anshoboze no gushingira intahe Umwami wanje Yesu kristo. Ndashaka kuzobana na data mw'ijuru.

**UBUTUMWA BWA MBERE**

# Lesson 162

**Ivyakozwe n'Intumwa 2:13-28**

Ijambo ngenderwako : « *Yaraje ababwira ubutumwa bwiza bw'amahoro, mwebwe abari kure.* » **Abanyefeso 2 :17**

## I. Intangamarara.

Mu cirwa giheruka, twarize ivyabaye ku musi wa nyuma wa pentekoti. Ryari ishika ry'isezerano Umwami Yesu yahaye abigishwa biwe nk'uko biboneka mu gice ca 1 :8. (Muzohabwa ubushobozi Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusaleme….) Ibi biratanguye kandi bizobandanya gushika ishengero rivuye mw'isi. Umugambi w'Imana ku muntu ugiye mu ngiro. Ishengero rishasha riratanguye.

**II. Icateye Petero gushinga intahe.**

• Abantu barazazaniwe. **2 :12** « *Bose barazazanirwa barabazanya bati : ibi ni ibiki ?* »
• Agasuzuguro no kunegurwa n'abantu : **2 :13** « *Ariko abandi barabanegura bati : baborewe igisama* » Ibi vyatumye Petero ahagaze mw'ibaraza ry'ingoro ya Salom, abantu babakikije, atangura kuvuga ubutumwa bwiza bwo mw'isezerano rishasha. Bwari ubutumwa bushikira imitima y'abamwumva kuko bwari bwuzuye ubushobozi bwa Mpwemu Yera. Ikindi, bwuzuye ukuri kuri muri bibiriya. Hari uburorero bw'ubutumwa bw'ukuri :

**-Ivyak 4 : 2** « Bababajwe cane n'uko bigisha abantu, bababarira yuko ukuzuka kw'abapfuye kwabonetse muri kwabonetse kuri Yesu. »
**- Ivyak 5 :42** « Ntibahengeshanya kwigisha no kuvuga ubutumwa bwiza bwa Yesu, ko ari we Kristo »
-**Matayo 4 :17** « Guhera ubwo, Yesu atangura kwigisha ati : Mwihane kuko Ubwami bwo mw'ijuru buri hafi » Abatanguje ishengero rya giporoti nka ba : Martin Luther, John Calvin, John Knox, Zwingli bigisha bakurikiye ako karorero. Ariko uyu musi, amashengero menshi yarataye inyigisho z'ukuri no kwihana ; bereka abizera babo ivyiza bazoronkera mw'isi niyo baba baje iwabo. Ibi birakundwa na benshi kuko bihwanye n'ivyo imibiri yabo yipfuza. Bibiliya ibavugako. **Tito1 :11** *« Bakwiye kuzibwa akanwa, kuko hari imiryango bagwisha igahenebera, bigisha ibidakwiye kubwo inyungu mbi* »

**III. Ubutumwa bwa mbere.**

●Petero yatanguye kubereka ko kwiyumvira ko baborewe, atarivyo kuko atawoba yamaze kuborerwa isaha zitatu z'umurango. Yaciye abasigurira ivyanditswe, yerekana ko ibiriko biraba, ari rya sezerano Imana yavugishije umuvugisha Yoweli.

Uyu Yoweli yavuze ibintu bibiri bikuru :
-Ukuza kwa Mpwemu Yera. Iri ni intango y'inyubako y'ishengero rya Yesu mw'isi.
- Ukugaruka kwa yesu gutora ishengero ryiwe. Hazoba utwumiza mu kirere, imiravyo, inkuba, izuba rizocura umuzimagiza n'ukwezi guhinduke amaraso hataraza uwo musi rurangiranwa w'Uhoraho. Ibi ntibiraba, bizoba. Ukwiye kuraba ko bizogusiga amahoro. Wobisoma mu Vyahish. 6 :12-16...

●Ica kabiri, Petero yigishije ubutumwa buvuga icaha uko kiri. Umur. **wa 23 : 36** «*Muramubambisha amaboko y'abagarariji, muramwica ; umwe mwabamba* » Aha yariko yagiriza Abayuda n'abakuru babo kuba bishe Imana yihinduye umubiri. Abanyakibi, yavuga abasoda b'Abaroma. Ibi yabivugira ahakoraniye abantu barenga ibihumbi bitatu. Ubutumwa budaca k'uruhande icaha uko kiri ; nibwo bukwiye kuvurwa.

## IV. Umwimbu w'ubutumwa bw'ukuri.

**2:37** « *Bumvise ivyo, bibacumita mu mitima. Babaza Petero n'izindi ntumwa bati : Bagabo benedata tugire dute* ? » Bisigura ngo : dukore iki ngo dukizwe ? Wewe wari kwishura iki ? Petero yishuye ngo : Nimwihane, mubatizwe.

• Umunyarutonde yokwishura ngo : Utegerezwa kureka ivyo vyose bibi wahora ukora, ugakurikira urutonde rw'ishengero ryacu.
• Umurongozi muhumuriza yokwishura ati : Utegerezwa gutangura gukora ibikorwa vyinshi mw'ishengero, bizotuma uja mw'ijuru ;
•Umunyedini nawe ati : utegerezwa gutangura kuza mu rusengero, ugasoma bibiliya cane kandi kenshi.
• Umurongozi munyamaronko yoca yishura ngo : Utegerezwa gutangura kuza uratanga amahera no muvyo utunze aha mu rusengero, uraca uharirwa.
• Umunyamigenzo ati : Utegerezwa gukurikira imigenzo y'ishengero ryacu nk'uko ba data baridusigiye.
Umwigisha mwiza yokwishura ko gukizwa ari ubuntu kandi biri mu majambo abiri :

1. Urukurikirane : Umunyavyaha yumva ababajwe n'ubuzima bubi arimwo, agafata ingingo yo guhindukira yerekeza ubuzima bwiza buboneka muri Yesu, araja gukoranira hamwe n'abandi akiga ivyirwa vya bibiliya, akumva n'ubutumwa bwiza.
2. Guhinduka : Ni igihe ucabugufi mu mutima, ukatura, ukihana, ukabatizwa, ukumva wubatse imigenderanire myiza na Yesu Kristo. Ivyo bigushitsa ku guhabwa ingabire y'ubugingo budashira.

Ijambo rya mbere Petero yabishuye ni : « **Ni mwihane**. » kwihana ni guhindura ivyiyumviro. Birashoboka ko woba umaze imyaka mu rusengero utarihana. Ugifise ivyiyumviro vya kera. Kera wariba, warasambana, wari n'inzigo, Naho ubu utonda mu rusengero, ugakora vyose neza ; ntibikubuza ko uronse akaryo, ukora nk'ibi vya kera. Nturakizwa.

Irya kabiri ni « **Mubatizwe** » "to immerse' kwibirikwa. kubatizwa ni icemezo imbere y'abantu ko upfanye na Kristo ; ukazukana nawe.

**2: 41**. « *Nuko abemeye amajambo yiwe barabatizwa, abongewe kuri uwo musi ku bari basanzwe bari nk'ibihumbi bitatu.* » iyi ni inyungu y'ubutumwa bwiza.

### V.Gushira mu ngiro.

*Yaraje ababwira ubutumwa bwiza bw'amahoro, mwebwe abari kure.* Igikorwa Yesu yakoze, cashikanye abari kure ku mahoro. Kandi abemeye ubu butumwa bwiza, bafise ingabire y'ubugingo budashira. Wumva warakijijwe. Niba ugikekeranya, ni ikimenyetso ko utarakizwa. Ubu rero n'ukizwe, niba utarabatizwa ubatizwe. Reka duhaguruke dusenge.

**THE COLOR OF THE FIRST CENTURY CHURCH.** Tenth Anniversary Sermon

Acts 2:40-47
**Lesson 161**

**ISHUSHO Y'ISHENGERO RYO MU KINJNA CA MBERE**
**Lesson 161**
**Ivyakozwe n'intumwa 2:40-47**

Ijambo ngenderwako **:** « *Arabahanura ati : Ni mwikize abo iki gihe kigoramye* » **Ivyakozwe n'intumwa 2:40**

## I. Intangamara

Uku niko abizera b'ishenmgero rya mbere ariryo ry'intumwa bari babayrho. Mu gihe woraba uko ishengero ryo muri iki kinjana ca 21 muri rusangi, wogira agahinda.

Umukobwa yitwa Florence muri Amerika yashatse kuba uwambere mu kwoga. Yategerezwa kwoga amasaha 18 ari mu mazi. Bashinze idarapo ngo rimwereka aho ashikira. Ageze mu mazi, haza igifungu, ntiyasubira kubona imbere. Aca aratabaza ,baza kumukurayo. Bamubajije yishuye ati : Sinaniwe kubera imbeho canke ntazi koga, bitewe n'uko ntari nkibona iyo nerekeza. Niba mu buzima utazi iyo werekeza, ntuzoshika ku ntumbero. Ndetse, ivyo urimwo uzobiheba.

Amashengero menshi yo muri iki gihe yaratay e intumbero y'ishengero rya Yesu kristo. Baretse imigenzo y'isi yinjira mw'ishengero, bifasha abarongozi bayo kwitwa ba rurangiranwa no kurwiza ubutunzi bwabo. Nico gituma Petero avyerekwa, akavuga ati : « **Ni mwikize abo iki gihe kigoye »**

## II. Ishusho y'ishengero ry'intumwa.

Iki gihe, intumwa ntibasengera mu masengero, bakoranira mu nzu y'umwe mwenedata. Ariko bari bafise ishusho ibaranga :
**1.**Urukundo rushimitse ku Mwami Yesu. Umur wa 42 « *Bashishikara cane ivyo intumwa zigisha, kugira ubumwe, kumanyagura imitsima hamwe no gusenga*. »

• Inyigisho z'intumwa : Ubwiza bw'ishengero si kuba bafise urusengero rwubatse neza canke ivyuma vy'umuziki bikomeye, icambere ni kuba abizera bumva, bakagendera kunyigisho bigishwa nk'uko vyanditse mw'ijambo ry'Imana.

• Ubumwe : Gukorera mu bumwe bizana urukundo mu ngo canke mw'ishengero. Yesu yavuze ati : « *Ni mwagiriranira urukundo, niho bose bazomenya ko muri abigishwa banje*. » **Yohana 13 :35**. Aba bashoboye gushira mu ngiro ico Umwami Yesu yabatumye kubera bakorera mu bumwe. Iyo ata bumwe, umwe wese akora anyegeza mu genzi we. Haboneka guhomba muri vyinsi.
• Kumanyagura imitsima : Bakoresha imitsima n'umutobe w'umuvinyu. Babikora mu ntumbero yo kwibukanya urupfu rw'Umwami Yesu ku musaraba.

•Gusenga : Amasengesho ni karahara mu ruganda ntibacura. Iyo ata masengesho mu rugo canke mw'ishengero, vyose bigenda nabi. **Zaburi 127 :1** « *Uhoraho iyo atari we yubaka inzu, abayubaka baba baruhira ubusa. Uhoraho iyo atari we azigama igisagara, umuteramyi*

*abera moso ubusa*. » Mwoshobora gutegura imigambi, mugakoresha ubuhinga, ariko hatabaye ugusenga ngo Imana ihezagire bikagenda nabi. Nico gituma Intumwa n'Abigishwa bama bariko barasenga ngo bashobozwe n'inkomezi z'Imana.

**2.** Iyindi shusho y'iri shengero rya mbere ni **ububasha.**
**2:43** « *Umuntu wese aterwa n'ubwoba kandi utwumiza n'ibimenyetso vyinshi vyakorwa n'intumwa*. » Mu gihe ubuzima bwacu n'ubwishengero, bwoba ata bubasha ; biragoye kwizera ko uzorangiza ubugararwa amahoro, ukazinjira mu gihugu c'isezerano. Ikibano cipfuza kutubonamwo ububasha ; ibimenyetso vya Mpwemu Yera. Abarwaye bagakira, imitwaro ikishurwa n'ibindi.

**3.** Iyindi shusho ni iyo guhimbaza. **2 :47** « *Bahimbaza Imana kandi na bo bashimwa n'abantu bose* » Igihe baba batanguye guhimbaza Imana, bose baratangara ; bakavuga ngo : Iyi ni Imana ibakoresha ibi. Kandi bama mu rusengero.Hari abizera b'iki gihe bashobora gukandagiza ikirenge ku musi w'Imana ; rimwe mw'iyinga.

Ibi ni bimwe mu vyerekana ishengero rya mbere nk'uko ryatanguye umusi wa pentekoti, mu bushobozi bwa mpwemu Yera. Ibindi turacavyiga.

## III. Gushira mu ngiro.

Mu gihe twize ishusho y'ishengero ryo mu kinjana ca mbere, vyari bikwiye ko tudahindurwa n'ibihe. Biteye agahinda mu gihe abizera b'ishengero ry'ubu batagikunda amasengesho. Iyaba womenye intambara ijuru rikurwanira ; wosenze, ugatanga umwanya n'ivyawe kubw'igikorwa c'Imana. Bene ingo z'iki gihe, babayeho batagira ububasha. Nivyo bituma birukira abapfumu, amasentare kuko Mpwemu Yera batakimwumvira.

Kuba mu rusengero no gukora ibikorwa vyaho ni vyiza ; ariko iciza kuruta ibindi ni kumva no gukora ivyo uhigira. Abenshi bamazwe inkomezi n'ivy'iki gihe kibi. Petero yahanuye abizera ati *« Ni mwikize abo iki gihe kigoramye* » Ni wibaze uko uhagaze uyu musi ; ni wabona hari ico uhajije ; urashobora guhaguruka ugasenga Umwami nyen'ishengero ; arakugirira neza.